
# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije

# Yesu Akiza Impumyi



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen


Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Barutimayo yari impumyi, yicaye kunkombe y'ibarabara, hafi y'i yeriko. Yarasega. Abantu bamwe bamwe b'impuhwe baca ngaho baramuha amahera makeyi, canke udufungurwa dukeyi. Barutimayo ntiyashobora gukora, kuko ntiyabona. Ntakindi yashobora atari gusega gusa.



Umusi umwe, ibarabara ryari ryuzuye urwamo. Barutimayo yumva urwamo rw'intambuko nyishi. Ibintu atari amenyereye vyariko biraba. Vuba na vuba, impumyi yacu imenya ivyo arivyo. Yesu w'i Nazareti yari mugisagara. Amagugu y'abantu yarakorana kugira barabe Yesu, kugira bamwumve.




3




Arasemerera ati: "Mwana wa Dawidi, ngirira ikigongwe!" Kubera iki Barutimayo yakoze ivyo, kubera iki yiyumvira ko Yesu ashobora kumufasha? Kumbure yoba yari amaze kumva ivyo gukira. Bamwe ntibumva, bandi bari ibiragi, n'impumvyi nk'uko kwiwe. Asubiramwo ati: "Mwana wa Dawidi, ngirira ikigongwe!" Ijwi ryiwe ryari ryuzuye umwizero.

4




Barutimayo yari azi neza ikintu kimwe. Ni ataronka uwumufasha muri kano kanya, ntazosubira kuronka ayandi mahirwe. Yesu ntazosubira guca muri iyo nzira nyene.

5



Barutimayo yashaka kwegera Yesu. Ariko igugu ry'abantu ntiryamukundira. Baramubwira bati: "Shiiiiiiii!" Bamusaba kuguma atekanye.

6




Ariko Barutimayo ntiyanuma. Abandanya gusemerera cane. Yesu arahagarara avuga ati: "Ni mumuhamagare." Igugu rica ribarira Barutimayo riti: "Nyaruka, va hasi, araguhamagaye."




7

Ataye hasi ikibando ciwe, Barutimayo ava aho yari ari, aza aho Yesu ari.




8

Yesu aramubaza ati: "Ushaka ko ndagukorera iki?" Mwebwe mwari kwishura gute? Mwari kumusaba amahera, canke impuzu nziza? Mbega ivyo nivyo Barutimayo yashaka?




9

Oya, impumyi Barutimayo ntiyasavye Yesu ubutunzi. Mwotomboza ico yashaka. Impumyi iramwishura iti: "Mwami, nshaka guhumuka." Barutimayo yashaka kubona, kubona ibiti n'inyoni, n'ivyiza vyose vyaremwe. Yashaka ko ashobora kwinezereza, kandi ntabe agisubira gusega.



10

Maze Yesu abarira Barutimayo ati: "Genda, ukwizera kwawe kuragukijije."



11

Ubwonyene aca arahumuka, kandi aca akurikira Yesu. Ivyo yashobora kuvuga vyose vyari: "Imana ni nziza! Yankijije!" Mbega ibihe vyiza kuri Barutimayo.



12



Babonye ivyo, abantu bose bahimbaza Imana. Bari basubiye kubona ubushobozi budasanzwe bw'umwana w'Imana buhumuye impumyi isegerereza.

13

Yesu Akiza Impumyi


Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Mariko 10; Luka 18; Yohana 9

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

14




50

60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana
yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16